# 127: Mukiza, numvis’ ijwi

1. Mukiza, numvis’ ijwi
Ryawe ry' imbabazi
Rimpamagara ngo nozwe
N' amaraso yawe.

Ref: Nditavye Yesu,
Ndaje Mukiza;
Ngw’amaraso wavuye
Anyoz' antunganye.

2. Ndazi ko mfis’ ivyaha
Vyinshi mu mutima;
Vyose ndabikuzaniye,
Naw' ubinkureko.

3. Kand' uramp' umutima
Wuzuy' urukundo,
Wuzuy' ukwizera kwose
N‘ amahoro menshi.

4. Ndazi k'uzomfashisha
Imbabazi nyinshi,
Ivyo wansezeranije
Bizoshika vyose.

5. Nshim' amaraso yawe
Ankuyekw‘ivyaha,
Mpimbaza n' ubushobozi
Bunkiz' intege nke.

Visit us at burundi.indirimbo.com